**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
**Secrétariat Général de l'Etat**

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°14 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 06 KIGARAMA 2023

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 06 Kigarama 2023, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza z'iyo nama nshikiranganji, yarongoye ku magenekerezo ya 08, 09, 20, 21, 22, 29 Munyonyo n'igenekerezo rya 01 Kigarama 2023, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa muri iyo nama.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'ibwirizwa risubiramwo ibwiriza nº1/11 ryo ku wa 20 Rusama 2019 rigenga amatora**, yashikirijwe n'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano.

Isubirwamwo ry'iryo bwirizwa ahanini ritumwe n'ibi bikurikira:

- Kuriroranisha n'ibwirizwa n° 1/05 ryo ku wa 16 Ntwarante 2023 rishinga imbibe z'intara, amakomine, amazone, n'imitumba/ karitiye ;
- Gutora inyishu ku bibazo umugwi w'igihugu wigenga ujejwe amatora wagiye urabona mw'ishirwa mu ngiro ry'iryo bwirizwa ;
- Gufatira kuvyashikirijwe mw'irimbura ry'ingene amatora yo mu mwaka w'2020 yagenze.

Mu vyahindutse muri iyi nteguro, bimwe bimwe twovuga ni nk'ibi bikurukira:

- Mu ntumbero yo kwisunga Ibwirizwa shingiro, iyi nteguro itegekanya ko ingene amatora akurikirana vyohinduka kubera ibiringo vy'abatorwa bitangana. Kiretse Umukuru w'igihugu afise ikiringo c'imyaka indwi (7), ibindi biringo ku batorwa ni imyaka itanu (5).

- Ugushiraho ahegeranirizwa amatora ku bibanza yabereyemwo (centres de vote) ;
- Ugushira hamwe amatora atatu vyohinduka. Ntivyoba bigikenewe ko ukwiyamamaza bifata indwi zitatu. Iyi nteguro itegekanya indwi zibiri ;
- Muri iyi nteguro, isubirizwa ry'umukenguzamateka rifatira kuri batatu bamukurikira ku rutonde, n'isubirizwa ry'umukenguzamateka yigenga riraтegekanijwe ;
- Mu ntumbero yo kworosha isubirizwa ry'abahanuzi ba Komine bidahungabanije ibijanye n'igitsina, iyi nteguro itegekanya ko uwuri ku rutonde rwugaye wese ategerezwa kugira n'imiburiburi abamusubirira batatu, bishobotse basangiye ubwoko n'igitsina ;
- Mu ntumbero yo gukinga kugirango ntihaze ubusimbirahamwe kwitoza mu bajenama ba Komine, gusaba ingwati y'ibihumbi amajana abiri (200 000 Fbu) uwitoza yigenga, urutonde rw'abashikirijwe n'imigambwe canke n'inani z'imigambwe ;
- Mu ntumbero yo gutuza inyifato zimwe zimwe zishobora guhungabanya amatora, iyi nteguro ishikiriza ko ibi bikurikira vyofatwa nk'icaha:
    - Gukwiragiza ubutumwa bushobora kwonona amatora canke gukabura ubugizi bwa nabi bufatiye ku matora, hakoreshejwe ubuhinga ngurukanabumenyi ;
    - Gushikiriza ivyavuye mu matora imbere y'ababifitiye ububasha.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iri bwirizwa, **yararyemeje**, bimwe bimwe mu vyashikirijwe bikaba ari ibi bikurikira :

- Mu mabwirizwa yisungwa, gushiramwo irigenga ibimenyeshamakuru mu Burundi;
- Gushiramwo muri iri bwirizwa ingingo itomora ko amatora y'abakenguzamateka n'abashingamateka abera mu Ntara, ay'abajenama ba Komine muri Komine, ay'abakuru b'imitumba canke Karitiye akabera ku mutumba canke muri Karitiye;
- Gutomora ko inani z'imigambwe zikorwa amatora bashaka kwitozamwo amaze guhamagarwa;
- Gukuramwo ikijanye no gushiraho ibibanza vyokwegeranirizwamwo amajwi ahabereye amatora (centres de vote);
- Gukuramwo igisata c'ubuhinga cofasha umugwi wa Komine ujejwe amatora, kuko habaye ikibazo vyogorana kumenya uwubibazwa kwari umugwi wa Komine canke ico gisata c'ubuhinga;
- Mukuvuga ibisabwa uwushaka kwitoza, gutomora ico aba ashaka kwitozamwo icarico;
- Kuduza ingwati y'uwushaka kwitoza mu kibanza c'Umukuru w'Igihugu ikaja ku miliyoni ijana (100. 000.000 );
- Kuduza ingwati y'uwushaka kwitoza mu kibanza c'umushingamateka canke umukenguzamateka ikaja ku miliyoni zibiri (2. 000.000);
- Gushiramwo ingingo ivuga ko zone yose umugambwe waronse amajwi menshi itegerezwa guserukirwa mu nama mpanuzwajambo ya Komine;
- Kuduza ihadabu itangishwa uwo wese ahungabanije amatora mu gukwiragiza inkuru zitarizo, mu gutryoza canke ikindi cose coza conona amatora.

2. **Integuro y'ibwirizwa risubiramwo ibwirizwa n°1/04 ryo ku wa 19 Ruhuhuma 2020 rigenga amakomine,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano.

Kuva ibwirizwa risubiramwo ibwirizwa n°1/04 ryo ku wa 19 Ruhuhuma 2020 rigenga amakomine rigiyeho, harabaye impinduka nyishi mw'itunganywa ry'amakomine.

Twovuga nk'ibwirizwa n° 1/05 ryo ku wa 16 Ntwarante 2023 rishinga imbibe z'intara, amakomine, amazone, n'imitumba/ karitiye aho ryakuye Intara ku gitigiri ca cumi n'umunani (18) zikaba zitanu (5), amakomine ava ku gitigiri c'ijana na cumi n'icenda (119) ubu akaba ari mirongo ine n'abiri (42) amazone yavuye ku gitigiri c'amajana atatu na mirongo icenda n'icenda (399) akaba amajana ane na mirongo itanu n'imwe (451), imitumba/karitiye nayo ikaba yavuye ku gitigiri c'ibihumbi bibiri n'amajana icenda na cumi n'imwe (2911) ikaba ari ibihumbi bitatu na mirongo ine n'ine(3044).

Ikindi naco, ni uko kwegereza intwaro abenegihugu bisaba gukomeza urwego nshingwabikorwa rwa komine, no gutomora ico umwe wese ajejwe.

Ivyo ntivyoshoboka hatagiyeho ibwirizwa nyaryo rigenga amakomine. Nico gituma kandi hategerezwa kuba abakozi ba Reta bakukira Komine kugirango yigenge koko, haba mu kwitunganya muvy'intwaro canke muvy'ubutunzi. Kubw'ivyo, ugukurikirana abakozi ba Komine mu kazi bisaba ko ibwirizwa rigenga amakomine risubirwamwo, kugirango ingene Komine itunganijwe bifatire kuri iyo ntumbero.

Muri iyi nteguro, harimwo bishasha bitari bike, aha twovuga nk'ibi bikurikira :

- Iyi nteguro igizwe n'amategeko abiri yari ahasanzwe, ni ukuvuga iryahahora rigenga amakomine, be n'iryerekana ingene Reta ishikiriza ububasha bumwe bumwe amakomine;
- Uburyo Komine ikoresha buba buri mu mahera Reta ikoresha ku mwaka ku mwaka, kandi imbere y'uko Komine ifata ideni umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta abanza kuvyemeza ;
- Mu nzego za komine, harategekanywa ishirwaho ry'urwego nshingwabikorwa rwa komine kugirango bitandukane n'urwego rucungera. Musitanteri ntazoja mu Nama ya Komine;
- Ivyo Musitanteri, uwurongoye Zone, Umukuru w'umutumba bajejwe vyarasubiwemwo kugira begereze abenegihugu ivyo bababakenerako;
- Musitanteri aronka umushahara uvuye mu mahera Reta ikoresha ku mwaka ku mwaka, ariko utundi turusho tuva muri Komine;

- Izina « Umunyamabanga nshingwabikorwa ntayegayezwa wa Komine » rizoba « Umunyamabanga nshingwabikorwa wa Komine »;
- Ibisata bikorera muri Komine vyongerejwe ;
- Komine niyo iraba ibisata n'ubuzi bikorera muri iyo Komine, abakozi babikoramwo be n'ibikoresho;
- Umukuru w'umutumba canke wa karitiye arangura imirimo yiwe babifatanije n'inama ya Komine canke ya Karitiye ;
- Umujenama wo ku mutumba canke muri Karitiye azoba afise n'imiburiburi imyaka mirongo ibiri n'itanu.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje**, muvyashikirijwe hakaba harimwo ibi bikurikira:
- Gushira ku rutonde rumwe imirimo ya Komine, aho gutandukanya ivyo yari isanzwe ijejwe na bishasha iri bwirizwa riyiha;
- Kwerekana ububasha bwa Komine, mu bisata bikurikira:
    - Intwaro n'iterambere rusangi ;
    - Gutunganya imigambi n'ibigega vya Komine;
    - Gutunganya amatongo, ibisagara n'uburaro;
    - Indero, inkino,ibibazo vy'imibano n'imico kama;
    - Amagara y'abantu;
    - Amazi, amasoko ntanganguvu n'urucekeri rw'amabuye;
    - Ibidukikije, uburimyi, ubworozi n'amatongo;
    - Amababara ya Komine no gutumatumanako ;
    - Inyubako;
    - Agateka ka zina muntu, gutegekaniriza kazoza no kudakumirana;
    - Gushinga amashirahamwe, ubudandaji n'amahinguriro.
- Amabanga atabangikana n'ay'umujenama wa Komine ni aya akurikira: (1°) Umukuru w'Igihugu; (2°) Umushingamateka canke umukenguzamateka ; (3°) Icegera c'Umukuru c'Umukuru w'Igihugu ; (4°) Umushikiranganji wa Mbere ; (5°) Umushikiranganji ; (6°) Umuhuza w'Abarundi ; (7°) Buramatari n'abakora mu Biro vyiwe ; (8°) Musitanteri ; (9) Umunyamabanga nshingwabikorwa wa Komine; (10) Umuhanuzi wa Musitanteri ; (11) Abajejwe ibisata muri Komine ; (12)Abakozi bakorera mu Biro vya Komine ;
- Gutomora ko iyo umuntu avuye muri ayo mabanga ashobora gusubira kuja mu bagize Inama ya Komine kiretse ayabogojwemwo kubera amakosa;
- Gutomora ko ibogozwa rya Musitanteri biciye mu matora riba iyo ryemejwe n'ibice bibiri kuri bitatu vy'abagize inama ya Komine bayitavye ubwabo (batatumwe);

- Mu ntumbero yo kwisunga ingene ivy’amagara y’abantu bitunganijwe ku rwego rw’isi yose, aho ahandi bavuga « igisata » mu vyerekeye amagara y’abantu ni « akarere k’ubuvuzi »;
- Mu bisabwa kugirango umuntu yitoze kuba Musitanteri, kwongeramwo ko aba ari umuvukakomine, no gushira imyaka isabwa ku mirongo itatu (30) n’imiburiburi ;
- Gushira muri Komine igisata kijejwe kugenzura no gucungera kandi kikaba gikukira Musitanteri » ;
- Gutomora ko ingene ibisata vyo muri Komine bitunganijwe n’ingene bikora bitomorwa n’itegeko ry’Umukuru w’Igihugu;
- Guha Musitanteri abahanuzi mu bijanye n’amategeko, ivya politike n’ubutunzi n’imibano, ukumenyesha amakuru n’imigenderanire n’izindi nzego;
- Gutomora ko Musitanteri ariwe atanga akazi, inama ya Komine ibanje kuvyemeza, hisunzwe amategeko;
- Gutomora ko umukozi wa Reta arungitswe gukora muri Komine aguma agengwa n’ibwirizwa rigenga abakozi ba Reta;
- Kugirango Zone ironke inguvu, kuyegereza ibisata abenegihugu bakenera kurusha ibindi mukuyiha ibisata vy’ubuhinga bikurikira:
    - (i) inzandiko ndangamuntu,
    - (ii) Ibidukikije, uburimyi n’ubworozi n’amatongo,
    - (iii) Indero, inkino, imibano n’akaranga,
    - (iv) Amagara y’abantu(ibijanye n’isuku).

Abajejwe ivyo bisata bakaba boba bafise n’imiburiburi urupupuro rw’umutsindo rw’amashule akurikira ishule shingiro canke bingana ;

- Gutomora ko Umukuru wa Zone abwirizwa kuba imvukira, canke aba muri iyo Zone kandi ko amaze kugenwa abwirizwa kuba muri iyo Zone ;
- Gutomora ko Umukuru w’umutumba canke wa Karitiye ahembwa ku mahera ya Komine, ko ikiringo ciwe ari imyaka itanu ishobora kwongerwa, kandi ko umushahara wiwe ushingwa n’itegeko ;
- Gutomora ko integuro y’amahera Komine ikoresha ku mwaka itegurwa na Musitanteri ikemezwa n’Inama ya Komine, ko kandi umwaka w’amafaranga utangura igenekerezo rya mbere Mukakaro ugahera igenekerezo rya 30 Ruheshi ry’umwaka ukurikira ;
- Gutomora ko ikoreshwa ry’amahera n’igenzurwa ry’ingene akoreshwa vyisunga ibwirizwa ritunganya ibijanye n’amahera y’igihugu;
- Kwerekana ingene integuro y’amahera Komine izokoresha ishikira umushikiranganji w’ikigega ca Reta, ni ukuvuga iyo ica be n’ikiringo itangirwako:
- Mu nzego zijejwe kugenzura amahera ya Komine, kwongeramwo Ubuyobozi bujejwe kugenzura amasoko ya Reta;
- Mu ngingo zo gusozera, gushiramwo iyivuga ico abari basanzwe ari abakozi b’amakomine (imbere y’uko agabanurwa) baba;

3. **Integuro y'ibwirizwa risubramwo ibwirizwa n°1/022 ryo ku wa 06 Munyonyo 20 18 risubiramwo ibwirizwa n°1/18 ryo ku wa 15 Rusama 2014 rishinga rikongera rigatunganya Umurwi wo kumenya ukuri no kurekuriranira,** yashikirijwe n'Ibiro vy'Umushikiranganji wa Mbere.

Mu ntumbero yo gusubiza amatongo n'amazu yanyazwe n'ayandi matungo yasahuwe mu bihe bibi igihugu caciyemwo, harashizweho Umugwi w'igihugu ujejwe amatongo n'ayandi matungo.
Ikiringo c'uwo mugwi carangiye mu kwezi kwa Ntwarante 2022, ariko hari amadosiye atari bwahere kandi atari make.

Reta yariyumviriye urwego rwoshobora gusubirira uwo mugwi w'igihugu ujejwe amatongo n'ayandi matungo kugirango rubandanirize aho uwo mugwi wari ugejeje isanga Umurwi wo kumenya ukuri no kurekuriranira wokora ico gikorwa kuko iyo mirwi yari ifise ivyo ihurirako.

Iyi nteguro y'ibwirizwa iha Umurwi wo kumenya ukuri no kurekuriranira ububasha bwo kwiga amadosiye Umugwi w'igihugu ujejwe amatongo n'ayandi matungo utari bwaheze, be n'ayandi woshikirizwa. Ingingo z'uwo murwi wo kumenya ukuri no kurekuriranira ku bijanye n'amatongo n'ayandi matungo zizoshobora kwungururizwa muri Sentre idasanzwe ijejwe amatongo n'ayandi matungo.

Mu gihe hari abantu bashoboye kwiyumvikanira, iyi nteguro itegekanya ko uwo mwumvikano woca wemezwa n'iyo Sentare, kugirango ugire agaciro n'imbere y'iyindi mirwi canke amasentare vyoza hanyuma. Iyi nteguro irategekanya kandi ko muri uwo mugwi hoshirwamwo igisata kijejwe kwiga amatati afatiye ku matongo n'ayandi matungo.

Ku bijanye no ku rwego rw'intara, hategekanywa ko igitigiri c'abakozi boshirwayo covana n'ingene amatati angana.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje**, ivyashikirijwe navyo bikaba ari ibi bikurikira:

- Aho gushiraho igisata kijejwe amatongo n'ayandi matungo, hoshirwaho ku rwego rw'intara abakozi boba baraba ikibazo c'amatongo n'ayandi matungo ariko bagakurikiranirwa hafi n'aba Komiseri;
- Abo bakozi ku rwego rw'Intara boshirwaho n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu;
- Igitigiri c'abakozi bo mu Ntara covana n'ingene amatati angana.

4. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano hagati ya Reta y'Uburundi na Reta y'Uburusiya ajanye no gufashanya mu gisata c'amasoko ntanganguvu ya nikereyeri,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu no gufashanya mw'iterambere.

Reta y'Uburundi na Reta y'Uburusiya barashize umukono ku masezerano ajanye no gufashanya mu gisata co gukoresha amasoko ntanganguvu ya nikereyeri mu buryo atawe bihungabanya.

Aya masezerano ashingiye ku nyungu y'ivyo bihugu bibiri yo gushiraho amategeko yorosha ugufashanya kw'ivyo bihugu bibiri mw'ikoresha ry'ubwo bwoko bw'amasoko ntanganguvu.

Ubuhinga bw'igihugu c'Uburusiya muri ico gisata buzofasha Uburundi kuvyo burindiriye muri ubwo bwoko bw'amasoko ntanganguvu.

Kubera Uburundi bugikeneye umuyagankuba mwinshi, aya masezerano ni kirumara kuko azotuma Uburundi bwihingurira umuyagankuba hakoreshejwe ubwo buhinga.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje**.

5. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano hagati ya Reta y'Uburundi na Reta ya Cuba yerekeye amasezerano yo kutarihisha ku burenganziza bwo kwinjira muri ivyo bihugu ku bafise impapuro z'inzira z'icubahiro, n'iz'akazi,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu no gufashanya mw'iterambere.

Reta y'Uburundi na Reta ya Cuba barashize umukono ku masezerano yo kutarihisha ku burenganziza bwo kwinjira muri ivyo bihugu ku bafise impapuro z'inzira z'icubahiro, n'iz'akazi kw'igenekerezo rya 14 Nyakanga 2023.

Ayo masezerano yerekana ubucuti no gufashanya biri hagati y'ivyo bihugu bibiri, n'ishaka ryo kubikomeza.

Ugukuraho ivyo kurihisha amahera uwufise mwen'urwo rupapuro rw'inzira bizokworohereza abipfuza kubijamwo. Bizotuma ibikorwa bijanye n'imigenderanire muvy'ubutunzi, ubudandaji no gushinga imitahe vyoroha muri ivyo bihugu uko ari bibiri.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje**.

6. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/069 ryo ku wa 24 Nyakanga 2020 ritunganya ubushikiranganji bw'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi**

**y'iterambere,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere.

Iyi nteguro ije guha inguvu ubwo bushikiranganji kugirango bushobore gushira mu ngiro neza impinduka zategekanijwe mu bijanye n'ubutunzi, n'imigambi iriko irarangurwa.

Bikuru bikuru bishasha ni ibi bikurikira :

- Guhindura izina ry'ubushikiranganji ;
- Gushira abahanuzi b'abahinga mu bijanye n'amategeko, ubutunzi mu Biro vy'umushikiranganji.
- Gushiraho abanyamabanga ntayegayezwa babiri ;
- Gushiraho ubuyobozi bukuru bujejwe impinduka mu butunzi no gufashanya mu vy'ubutunzi kugirango bukurukirane imigenderanire n'abafashanya n'Uburundi n'ibijanye no gushinga imitahe ;
- Ubugenduzi bukuru mu bushikiranganji bwoba Ubugenduzi bukuru bw'amahera ya Reta;
- Gukomeza ubuyobozi bujejwe ubuhinga ngurukanabumenyi bukaba Ubuyobozi bukuru ;
- Gukomeza Ubuyobozi bukuru bujejwe amahera ya Reta bukagira igisata kijejwe kugenzura ikoreshwa ry'amahera.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje**, ivyashikirijwe navyo bikaba ari ibi bikurikira:

- Mu mabwirizwa n'amategeko yisungwa, gushiramwo irigenga ubuzi bwa Reta, n'irigenga ubugenduzi bwa Reta;
- Kudahindura ingene ubushikiranganji bwitwa;
- Kugumana ubugenduzi bukuru mu bushikiranganji aho gushiraho ubugenduzi bukuru bw'amahera ya Reta ;
- Gutandukanya ibisata Reta yahaye ububasha bwo kwitunganya (administration personnalisée) n'ivyo yahaye imitahe (établissement public) ;
- Gutomora ingene abakozi bakuru bo mu bushikiranganji bagenwa;
- Gutomora igitigiri c'abahanuzi bakenewe n'ico umwe wese ajejwe.

Ibindi vyashikirijwe ni ibi bikurikira:

- Kuraba ko amategeko agenga amasoko ya Reta ariko arasubirwamwo yisunga ihangiro « Uburundi Igihugu cifashe mu mwaka w'2040, Igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060 »;
- Kumenyekanisha Igitabu cerekana ihangiro « Uburundi Igihugu cifashe mu mwaka w'2040, Igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060 »;
- Kunyarutsa integuro z'amabwirizwa agenga ibisata vya Reta bifise ububasha bwo kwitunganya mu vy'intwaro n'amahera;

- Kunyarutsa isubirwamwo ry’igitabu c’Umugambi w’igihugu w’iterambere.

7. **Icegeranyo c’ingene amahera yakoreshejwe mu mwaka w’ 2022 ushira uw’2023**, yashikirijwe n’ umushikiranganji w’ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y’iterambere.

Mu ntumbero yo gushira mu ngiro ibwirizwa ritunganya ikoreshwa ry’amahera y’igihugu, ubushikiranganji bw’ikigega ca Reta burategura ivyegeranyo vyerekana ingene amahera yakoreshejwe, mu ntumbero yo gushira ibintu ku mugaragaro.
Iki cegeranyo cerekeye ikoreshwa ry’amahera ya Reta mu mwaka w’2022 ushira uw’2023.

Ayo mahera yakoreshejwe mu gihe bigaragara ko hari ingorane z’ubutunzi ku rwego rw’isi yose, bivanye n’intambara zibonekeza ahatari hake.

Ku rwego rw’igihugu, kubera intunganyo nshasha y’ikoreshwa ry’amahera ya Reta aho amahera yose aba agenewe igikorwa kanaka, amahera yakoreshejwe ku buryo butari bumenyerewe ugereranije n’iyindi myaka iheze.

Kubera wari umwaka wa mbere wo gukoresha ubwo buhinga bushasha mu vy’amahera ya Reta, haribonekeje utugorane.

Hejuru y’iyo ngorane, urugero rw’amahera yategekanijwe kuvyabwirizwa guca mu masoko yarahindutse kuko ibiciro vyarahindaguritse.
Ikindi naco n’uko amahera yari yategekanije ku mishahara atakwiye kubera ibohorwa ry’amapete mu bakozi ba Reta.

Ku bijanye n’amahera yinjiye, kuyari yategekanijwe habonetse ibice mirongo icenda na bitatu n’uduce dutanu kw’ijana 93.5%).
Ayakoreshejwe nayo angana na mirongo icenda na bitanu n’uduce dutandatu kw’ijana (95.6%) y’ayari yategekanijwe.

Muri rusangi, wihweje ivyegeranyo vy’ishirwa mu ngiro vy’intunganyo y’ibikorwa n’amahera yategekanijwe ku mwaka , ayo mahera yarakoreshejwe nka yose. Ariko harakenewe utundi twigoro mw’itegekanywa ryiza ry’ibikorwa n’uburyo buba bukenewe.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza ico cegeranyo, **yaracemeje,** ica isaba ko ico cegeranyo coza kirashikirizwa uko amezi atatu aheze, kikihwezwa imbere y’uko hihwezwa urugero rw’amahera akoreshwa mu gice c’umwaka.

8. **Integuro y'ibwirizwa yerekana ingene amahera ya Reta yakoreshejwe mu mwaka w'2022 ushira uw'2023**, yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere.

Integuro y'ibwirizwa ryerekana ingene amahera ya Reta yakoreshejwe ikomoka kw'ibwirizwa ryerekeye ingene amahera ya Reta akoreshwa, aho rivuga ko umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta ashikiriza Reta integuro mwen'izo mu kiringo c'amezi atanu umwaka w'ikoreshwa ry'amahera ya Reta urangiye.

Nico gituma iyi nteguro yashikirijwe inama nshikiranganji.

Amahera Reta yategekanije muri uwo mwaka rero yakoreshejwe nk'uko vyari bitunganijwe n'ibwirizwa rishinga ayo mahera muri uwo mwaka.

Ku bijanye n'amahera yinjiye, yagiye ku rugero rw'ibice ijana na bitandatu kw'ijana (106%) mu gihe ayakoreshejwe nayo yabaye ku rugero rw'ijana n'icenda kw'ijana (109%).

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyi nteguro, **yarayemeje,** ivyashikirijwe navyo ni ibi bikurikira:

- Kwongerezwa utwigoro kugirango amahera yinjira mu kigega ca Reta agume yiyongera mu gufata ingingo zituza ubusuma mw'itozwa ry'amakori n'amatagisi.
- Kugira icegeranyo cerekana uturusho twatanzwe kugirango hasuzumwe neza akarusho vyazanye mu butunzi bw'igihugu, no kuraba ko abaturonse badukoresheje ico badusabiye.

9. **Urwandiko rujanye n'isekeza ryo kurwanya ubusuma mw'itozwa ry'amakori n'amatagisi mu gihugu**, yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere.

Mw'isekeza ryo kurwanya ubusuma mw'itozwa ry'amakori n'amatagisi, harabaye isuzuma mu mashirahamwe amwe amwe ahingura imitobe n'inzoga zihiye.
Mu batangakori basuzumwe, bakoresheje utumashini dusohora fagitire n'ubuhinga bwa none, haragaragaye amahinyu, aho hari ubutandukane ku biciro biri kuri fagitire zarungitswe muri OBR n'amahera y'ukuri abaguzi barishe.

Umwihwezo werekana tagisi nyongeragaciro (TVA) yagabanijwe ku rugero rwa mirongo itandatu na kabiri kw'ijana (62%), vyumvikana ko umudandaza yatanze mu kigega ca Reta mirongo itatu n'umunani kw'ijana (38%) gusa y'ayo yatoje ku bidandazwa yacuruje.

Uru rwandiko rurerakana ingingo n'ibihano biriko birafatwa, haba ku badandaza bari mu makosa, abakozi ba OBR, n'abahanuzi b'abadandaza mu bijanye n'amakori.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza urwo rwandiko **yarashimye** ibiriko birakorwa mu kugwanya ubwo busuma ariko ko impinga ikiri ndende. Yashikirije ibi bikurikira :

- Abandandaza bafashwa n'abakozi b'Ikigo OBR mu kwiba Reta ;
- Abakozi ba OBR bafasha abadandaza kwiba Reta bategerezwa guhanwa bimwe vy'akarorero;
- Iryo suzuma ryoba mu batangakori bose, abo bizogaragara ko basahuye amakori basubize ayo bivye bongere bahanwe;
- Ni ugusuzuma ko imodokari zafashwe zakoreshejwe mu rudandazwa rwa magendo ko ari iz'abo badandaza;
- Bigaragaye ko ari izo bakotesheje, zosubizwa benezo hamwe ata ruhara boba bafise muri ubwo busuma;
- Abakotesha imodokori bakwiye kuhakanurira bakamenya ico imodokari batanze igiye gukora, ndetse bagashira n'umukono ku masezerano y'ubukote;
- Gukurikirana no gutuza ubusuma buba mu mishahara mu bushikiranganji bujejwe abakozi ba Reta, no mu bindi bisata bikoresha amahera ya Reta.

10. **Integuro y'umugambi w'ibanki y'Isi yose wo gutanga uburyo bwo gufata mu mugongo ukurangura hanze y'igihugu ibikoresho vya nkenerwa kuruta ibindi mu Burundi,** yashikirijwe n' umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere.

Muri uwo mugambi, ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe iterambere (IDA) rizotanga uburyo bugera ku miliyoni mirongo ine z'amadolari y'Abanyamerika (40) zibe nk'izo kwishinga amabanki y'ubudandaji atanga amahera ku mashirahamwe arangura ibidandazwa hanze y'igihugu.
Ariko ivyo bizokora ku bintu vya nkenerwa kuruta ibindi, ni ukuvuga umwavu n'imiti. Amabanki yose azoshobora kworoherezwa mu gihe azoba akwije ibisabwa, navyo bikazotomorwa mu rwandiko ruzoba rwerekana ingene uwo mugambi uzoshirwa mu ngiro.

Iyo nteguro **yaremejwe**.

11. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/091 ryo ku wa 28 Gitugutu 2020 ritunganya ubushikiranganji bw'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Isubirwamwo ry'iryo tegeko rifise intumbero yo gutunganya gushasha ibisata vy'ubushikiranganji kugirango bushike kw'ihangiro bwashinzwe. Ivyo iyi nteguro ishikiriza ni ibi bikurikira :

- Gushiraho abanyamabanga ntayegayezwa babiri, umwe ajejwe ibidukukije, uwundi nawe ajejwe uburimyi n’ubworozi;
- Gutunganya gushasha ibisata bimwe bimwe mu ntumbero yo gukosora ukwinjiranamwo mu mirimo imwe imwe ku buyobozi bukuru n’ibisata bimwe bimwe bikukira ubwo bushikiranganji;
- Gushira Igisata kijejwe kugenzura imiti ivura ibikoko, iyivura ibiterwa be n’ibifungurwa (ABREVPA) mu bisata vyegukira ubwo bushikiranganji.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje**, ivyashikirijwe bikaba ari ibi bikurikira**:**

- Gushira mu mategeko yisungwa irishinga imirimo ubugenduzi bwo mu bushikiranganji;
- Gutomora ko mu kurangura imirimo yabwo, ubushikirangaji bw’ibidukikije, uburimyi n’ubworozi bwishimikiza ibisata vy’ubushikiranganji be n’ibindi bibukukira canke bibwegamiye, kandi ko ivyo bisata bitunganywa n’itegeko ry’Umukuru w’Igihugu ;
- Aho kuvuga Ubuyobozi bukuru bujejwe gutunganya amatongo, ibidukikije, uburimyi n’ubworozi, bwoba « Ubuyobozi bukuru bujewe imigambi » kugirango bigume muri rusangi kuko ari imigambi yose y’ubushikiranganji;
- Ubwo Ubuyobozi bukuru bujewe imigambi bwokukira Ubunyamabanga ntayegayezwa bujejwe igisata c’ibidukikije, ubuyobozi bukuru bujejwe ibijanye n’uburyo nabwo bugakukira Ubunyamabanga ntayegayezwa bujejwe igisata c’uburimyi n’ubworozi ;
- Kugirango ntihabe ukwitiranya uruhara rw’umushikiranganji n’urw’umunyamabanga ntayegayezwa mu bijanye no gukurikiranira hafi amashirahamwe yegukira canke akukira ubushikiranganji, hoshirwamwo ingingo ivuga ko umunyamabanga ntayegayezwa akurikiranira hafi amashirahamwe akorera mu gisata ajejwe ariko hatirengagijwe ububasha bw’umushikiranganji w’ibidukikije, uburimyi n’ubworozi ku bisata ayafiseko.

12. **Integuro y’itegeko risubiramwo itegeko n°100/13 ryo ku wa 12 Nzero 2016 ryemerera Reta y’Uburundi gushira umutahe mw’ishirahamwe ry’isangi rijejwe gukoresha no kubungabunga umuhora wo gutumatumanako amakuru ku buhinga bwa none,** yashikirijwe n’umushikiranganji ajejwe amakuru, ubuhinga bwa none bwo gtumatumanako amakuru, ibimenyeshamakuru.

Hisunzwe itegeko n°100/13 ryo ku wa 12 Nzero 2016 ryemerera Reta y’Uburundi gushira umutahe mw’ishirahamwe ry’isangi rijejwe gukoresha no kubungabunga umuhora wo gutumatumanako amakuru ku buhinga bwa none, yarashinze ishirahamwe ry’isangi hagati ya Reta y’Uburundi, ifisemwo umutahe w’ibice mirongo ine kw’ijana (40%) n’ishirahamwe StarTimes Network Technology Co.Ltd rifisemwo umutahe w’ibice mirongo itandatu kw’ijana (60%).

Kubera ko vyabonetse ko ibijanye n'ubuhinga iryo shirahamwe StarTimes Network Technology Co.Ltd rizokoresha vyahawe agaciro k'umurengera, harasubiriye haraba ibiganiro vyashoboye gutuma ibice vy'umutahe bisubirwamwo Reta y'Uburundi ija kuri mirongo ine na bitanu kw'ijana (45%) StarTimes Network Technology Co.Ltd nayo ija kuri mirongo itanu na bitanu kw'ijana (55%).

Iiyi nteguro ije kwisunga izo mpinduka mu kuduza umutahe Reta ifise muri iryo shirahamwe ry'isangi.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje** muvyo yashikirije hakaba hari gushiramwo ingingo ivuga ko igaburwa ry'inyungu bitomorwa n'amasezerano ateweko umukono n'izo mpande zibiri.

13. **Integuro y'itegeko nshikiranganji rishira mu ngiro itegeko n°100/261 ryo ku wa 18 Munyonyo 2021 rigenga abahoze ku rugamba**, yashikirijwe n'umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba.

Iryo tegeko nshikiranganji ritegekanywa n'itegeko n°100/261 ryo ku wa 18 Munyonyo 2021 rigenga abahoze ku rugamba.
Iyi nteguro iratomora rero ivyo uwahoze ku rugamba afitiye uburenganzira mu bijanye no gutegekanirizwa kazoza be n'utundi turusho. Iravuga kandi n'ivyo asabwa.

Inama nshikiranganji yari yarihweje iyo nteguro, ico gihe ikaba yari yashikirije ibi bikurikira:

- Gukora intonde z'abahoze ku rugamba, Intara ku Ntara ;
- Gukora urutonde rw'abo Reta isanzwe ishigikira;
- Gukora urutonde rw'abakeneye gufashwa.

Inama nshikiranganji yihweje iyo nteguro yashikirijwe yateguwe hisunzwe ivyo vyari vyashikirijwe **yarayemeje**, ivyashikirijwe navyo bikaba ari ibi bikurikira:

- Gutegekanya uburyo bwaharuwe mw'ibwirizwa risubiramwo urugero rw'amahera Reta ikoresha mu mwaka w'2023 ushira uw'2024;
- Kubazoronkera agahamba kabo rimwe (allocation unique), gutomora ingene kangana;
- Gushira muri iri tegeko ingingo ivuga ko ibizoronswa abo bahoze ku rugamba n'ingene bingana biri mu mpapuro ziherekeza iri tegeko kandi zifatanye naryo;
- Kwumvisha abo bahoze ku rugamba gukoresha neza utwo bazoba baronse.

14. **Urwandiko rujanye n'ugushira umukono ku masezerano mfatakibanza yerekeye irangurwa ry'umugambi wo gukwiragiza umuyagankuba mu ntara zose z'igihugu uzorangurwa n'ishirahamwe Virunga Power Holding Ltd**, rwashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka.

Ayo masezerano mfatakibanza yari yihwejwe n'inama nshikiranganji kw'igenekerezo rya 27 Nyakanga 2023, ico gihe ica isaba kubanza kuraba ko ishirahamwe Virunga Power rifise uburyo bukwiye bwo gukora uwo mugambi.
Uru rwandiko rero ruje gutanga uwundi muco kuri uwo mugambi.

Twomenyesha ko ayo masezerano azotuma uwo mugambi utanguzwa imbere y'uko umwaka w'2024 urangira, ukazotuma ingo ibihumbi mirongo ine na zitanu (45 000) zironka umuyagankuba mu kiringo c'imyaka ibiri.

Uwo mugambi urafise uburyo bukwiye, mu gihe Reta y'Uburundi n'iryo shirahamwe bokora bashira hamwe, bwofasha Uburundi kuronka umuyagankuba mu gihugu ku bice birenga mirongo indwi kw'ijana (70%) mu mwaka w'2030.

Aya masezerano ashizweko umukono, hari ishirahamwe Mpuzamakungu rikukira Ibanki Nkuru y'Isi yose rizofashanya na Virunga Power kugirango uwo mugambi ushoboke haba muvy'uburyo canke ubuhinga.
Ishirahamwe Gridworks naryo ryashize umutahe muri uwo mugambi ribicishije muri Virunga Power rirafise uburyo bukwiye kugirango ikiringo categekanijwe kurangurwamwo uwo mugambi cubahirizwe.

Inama nshikirangaji imaze kwihweza urwo rwandiko, **yaremeje** ko ayo masezerano yoshirwako umukono.

**15.Utuntu n'utundi**

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaramenyesheje ko ikiringo c'inteko z'umuryango w'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko zari mu butumwa muri Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo carangiye, ko ibizokurikira bizoba mu mwumvikano hagati y'ibihugu bihana urubibe n'ico gihugu.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 07 Kigarama 2023

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi

Prosper NTAHORWAMIYE